Abana barezwe

Ibikorwa vya kominote vyifuza kuvuga ku bijanye n'abana banje: Mbega hazoba iki?

1 2 3 4 5

Legal Aid NEW SOUTH WALES

Abana barezwe

1 Ibikorwa vya kominote vyifuza kuvuga ku bijanye n'abana banje: Mbega hazoba iki?

Hari udutabu dutanu twahinduwe mu rurimi mu vy'abana barezwe tuboneka muri Legal Aid NSW

1 Ibikorwa vya kominote vyifuza kuvuga ku bijanye n'abana banje: Mbega hazoba iki?

2 Kugenda muri sentare y'abana.

3 Ibintu vyarahindutse kandi ndakeneye ko abana banje bogaruka. Mbega nokora iki?

4 Sentare y'abana yafashe ingingo itanshimisha, mbega nokora iki?

5 Mbega bigenda gute mu gihe abana banje bararewe ahandi?

Vyakozwe n'shirahamwe rya Legal Aid NSW **Gitugutu 2013**

Uru rwandiko rwashizweho nk'inzira rusangi y'itegeko. Ntirukwiriye kwisungwa nk'impanuro y'itegeko kandi bisabwa y'uko wovugana n'umunyamategeko ku bintu bikwerekeye wewe ubwawe. Mu gihe c'iyandikwa, inkuru yerekanwa iba ari yo ariko irashobora gusubirwamwo igahinduka.

Tumako inzandiko kuri internet **www.legalaid.nsw.gov.au/publications** canke urungike 'email'kuri **publications@legalaid.nsw.gov.au** canke mugutelefona kuri **9219 5028**

Ni waba ufise ingorane z'ukwumva canke kuvuga ushobora kudushikira ukoresheje murongo National Relay Service(NRS) **133 677**

Telefone ya Interpreter Service ni **131 450**

Legal Aid NSW barubahiriza urwandiko rwambere rwasohotse *The Children's Court, Care, My Child and Me* Rwavuye muri Shoalcoast Community Legal Centre.

Ukeneye izindi nkuru ku vyerekeye Legal Aid Services:

Legal Aid NEW SOUTH WALES

Ibikorwa vya kominote ni bande?

Ibikorwa vya kominote ni ishirahamwe rikuru rya Reta muri NSW rikingira abana. Bahora bitwa 'DOCS' ariko ubu bahindutse Ubuyobozi bw'Umuryango hamwe n'ibikorwa vya kominote (''Community Services'').

Kubera iki, ibikorwa vya kominote bifise uruhara mu mu ryango wanje?

Uwo ariwe wese arajwe ishinga n'uko ko abana bashobora **kugeramirwa n'ingorane zobasinzikaza,** arashobora kumenyesha Ibikorwa vya kominote mu guhamagara 'Child Pretection Hepline'. Abahinga bamwebamwe, nk' abigisha canke abavuzi, basabwa n'amategeko kumenyesha amakenga yabo. Abo bantu bitwa"Mandatory reporters''.

Ntuzokwigera umenya ko hari uwatanze inkuru yerekeye umuryango wawe kiretse mu gihe iyo raporo itohojwe n'ibikorwa vya kominote. Buri raporo ntiyama yatohojwe.

Raporo ntizijako amazina kandi ziri mw'ibanga, kandi ntutegerezwa kumenya uwakoze iyo raporo.

Mbega haba iki mugihe raporo ikozwe?

Mu gihe Ibikorwa vya kominote bihisemwo gutohoza raporo, umukozi abijejwe ashobora:

- Kuguhamagara. Rimwe na rimwe abo bakozi babijejwe bashobora kwishikira i muhira aho uba, mwabivuganye canke mutabivuganye, canke bashobora kugusaba kurenguka kubiro vyabo;
- kwivuganira n'abana bawe ku mashure yabo canke ahandi ah'ari ho hose. Umukozi abijejwe ntakeneye kuronka uruhusha rwawe imbere yuko avugana n'abana bawe;
- Kuronka amakuru y'umuryango wawe bayakuye ku bandi bantu nka'abaganga, ibitaro, polisi, abigisha canke abandi abantu mufitaniye isano. Umukozi abijejwe ntakeneye kuronka uruhusha rwawe kugira ngo akore ibi vyose.

Mbega 'kugeramirwa n'ivyogusinzikaza' bisigura iki?

Ibikorwa vya kominote bishobora kwiyumvira ko abana bawe bageramiwe n'ivyobasinzikaza bivuye ku mpamvu nyinshi zitandukanye, harimwo ugukubakurwa, ugushurashuzwa, kwinubwa, kubana n'umurezi w'imborerwa canke anyway ibiyayuramutwe, canke ugushirwa ahama intambara zo mu nzu. Bishobora gushika ko ibikorwa vya kominote vyiyumvira ko abana bawe bamaze kuba mu ngorane imwe canke nyinshi muri izo canke bigashika ko hari ukuntu bihakwa gushika muri kazoza.

Mbega Ibikorwa vya kominote bishobora gutwara abana banje?

Kubera ko nyene ibikorwa vya kominote bikora mu vy'umuryango wawe, ntibisigura ko abana bawe bazoca batwarwa ubwo nyene. Bishobotse bizokorana nawe kugira ngo abana bawe babeho mu mutekano kandi bitaweho neza mu gihe bakiri mu minwe yawe.

Rimwe na rimwe umukozi abijejwe azogusaba gukora ibintu bituma abana bawe baguma mu mutekano. Nk'akarorero: bashobora kugusaba ko utoreka umugenzi wawe kaguma abana nawe hamwe n'abana. Uhisemwo kudakora ivyo bagusavye, bishobora gutuma abana bava mu maboko yawe.

Mu gihe ibikorwa vya kominote vyibaza kw'abana bawe bari mu ngorane zihuta zishobora kubasinzikaza, bashobora kubakuraho. Ibi bishitse, uzotegerezwa kuja muri sentare y'abana.

Mbega ibikorwa vya kominote bishobora kunsaba gukora iki?

Imiryango yose iratandukanye kandi hari ibintu vyinshi ubuzi bwa kominote bushobora kugerageza gushiraho kugirango abana bawe babe mu mutekano kandi bitaweho bihagije mu gihe babana nawe. Bimwe muri vyo ni ibi:

▲ Programa yo gutabara y'intangamarara.

Umuryango wawe ushobora kurungikwa muri programa y'intango yo gutabara nka 'Brighter Futures' canke mw'ishirahamwe rifasha imiryango ritegamiye reta. Ayo mashirahamwe azokorana n'umuryango wawe kugira ngo agufashe gutorera umuti ingorane iz'ari zo zose kandi agufashe gusubira ku murongo.

Kuja muri aya mashirahamwe biva ku gushaka kwawe. Ntushobora guhatirwa kujamwo mu gihe utabishaka. Mugihe uba urungitswe, uko biri kose, utegerezwa kwiyumvira gukorana n'aya mashirahamwe kuko igikorwa cabo ni ukugufasha kwimira ibintu ntibibe umurengera kuko vyokuviramwo gukurwa abana mu minwe.

▲ Amasazerano y'Integuro z'urubanza/n'iz'umutekano/s

Ibikorwa vya Kominote bishobora kugirana nawe integuro yanditse yerekeye ukubungabunga abana bawe n'ivyo utegerezwa gukora. Hashobora kujamwo urutonde rw'ibintu wemera gukora n'ibintu utemera gukora.
Nk'karorero, mushobora kwemeranya kutazokwigera unywa ibiyayuramutwe kandi ko uzoja mu bipimo bijanye n'ibiyayuramutwe.

Ni ngombwa cane ko ukwirikiza integuro iy'ari yo yose yaba iy'urubanza, iy'umutekano canke ayandi masezerano mwagiriraniye n'Ibikorwa vya kominote. Utabigize,abana bawe bashobora gukurwaho, kandi ibikorwa bijanye n'abana bawe bica bitangura muri sentare y'abana.

Sentare y'abana izoca ihabwa ikopi y'amasezerano yose wasinye. Mu gihe utakoze ibintu wemeye gukora, sentare ni vyo izokwishimikiza mu gufata ingingo zokwirikizwa ku vyerekeye abana bawe.

▲ Amasezerano y'Amabanga y'ubuvyeyi

Ni urwandiko rw'amasezerano hagati yawe n'ibikorwa vya Kominote. Amasezerano ashira ahabona ibintu ukwiye gukora kugira ngo uryohore ubumenyi bwawe bwo kurera kandi urazwe ishinga n'uko abana bari mu mutekano kandi bitaweho neza.

Ibikorwa usabwa gukora mw'isezerano ry'amabanga y'abavyeyi bizoba ari ibintu wemeye gukora bijanye ahanini n'umuryango wawe. Amasezerano y'Amabanga y'ubuvyeyi ashobora kugusaba gukora ivyo vyose Ibikorwa vya Kominote vyiyumvira ko ari nkenerwa mu kugumiza abana bawe mu mutekano, nko:

- ▲ kuja mu mpanuro zerekeye ibiyayuramutwe hamwe n'ibiboreza;
- ▲ gukora ibipimo vy'umukoyo canke ubundi buryo bwo gupima ibiyayuramutwe;
- ▲ kuja kwiga kugira uryohore uburezi bwawe;
- ▲ Kuja mu mpanuro zigufasha gutorera umuti ingorane zijanye n'ubuzima bwawe, nk'akarorero impanuro zijanye n'intambara zo mu ngo

Ushobora gusaba impanuro z'amategeko imbere yuko usinya amasezerano y'Amabanga y'ubuvyeyi.

Ibikorwa vya Kominote bitegerezwa kuguha umwanya wo kubona amasezerano ugiye gusinya kandi ukabanza kubonana n'umunyamategeko imbere yo

Ukurenga ku Mamasezerano y'Amabanga y'ubuvyeyi.

Iyo udakoze ibintu wemeye gukora mu masezerano y'Amabanga y'ubuvyeyi Ibikorwa vya Kominote bishora kugira dosiye y'ukurenga amasezerano bigaca bimenyesha sentare y'abana ico kirego cawe.

Iyo ibi bishitse, Ibikorwa vya Kominote bishobora kandi gushira mw'idosiye iyindi fomu yagiriza ko abana bawe bakeneye kwitabwaho no gukingirwa, bakanasaba sentare y'abana gushiraho ingingo zijanye n'abana bawe. Nk'akarorero bashobora gusaba ko abana bawe bovanwa mu maboko yawe bagashirwa mu minwe y'umurezi.

Kuri ivyo, ni ngombwa ko utahura amasezerano imbere y'uko uyasinya kandi ko ushobora gukora ibintu vyose wemeye gukora kandi ugakwirikiza ibintu vyose amasezerano avuga.

Ukwiye imisi yose kuronka impanuro z'amategeko imbere yuko usinya Amasezerano y'Amabanga y'ubuvyeyi.

kuyasinya. Amasezerano yanyuma ashobora kubikwa muri sentare y'abana.

▲ Amasezerano mfatakibanza y'uburezi

Amasezerano mfatakibanza y'uburezi ni urwandiko wemereramwo ko abana bawe baba ahandi hantu mu gihe uriko urakora ivyo ukeneye gukora kugira ngo abana bawe mubane mu mutekano.Amasezerano ashobora kumara amezi atatu, kandi vyemewe, arashobora kwiyongera akamara ikindi kiringo c'amezi atatu.

Nimba ufise amakenga ay'ari yo yose ku gusinya amasezerano mfatakibanza y'uburezi, ja gusaba impanuro imbere y'uko uyasinya.

Mugihe winjiye mu masezerano mfatakibanza y'uburezi,ushobora kuvugana n'Ibikorwa vya Kominote ukababwira aho abana bawe bazoja kuba, nk'akarorero ku muntu wo mu muryango wanyu. Ibikorwa vya Kominote bizogira ijambo rya nyuma ku hantu abana bawe bazoba, mu gihe amasezerano mfatakibanza yashizwe mu ngiro kandi mu gihe ata muntu wo mu muryango abikwiye yabonetse, bazoshiraho ibikenewe kugira abana bawe baje mu minwe y'umurezi.

▲ Iyindi nzira y'integuro y'uburezi

Ibikorwa vya Kominote birashobora kuguhitishamwo iyindi nzira y'integuro y'ukurera mu gihe abana bawe barengeje imyaka 12 kandi bakaba badashobora kuguma I muhira bivanye n'amatati. Integuro izovuga aho abana bawe bazoba, ukuntu n'igihe umwana wawe azobonana nawe n'abandi bantu bo mu muryango, hamwe n'uwuzofata ingingo ku vyerekeye ukwiga hamwe n'ukwivuza kwabo. Mwese, wewe n'abana mutegerezwa guhabwa akanya ko kuvugana n'abanyamategeko batandukanye imbere yo kwemera iyindi nzira y' integuro y'uburezi.

▲ Ukwimurwa hamwe n'ugusaba kurera

Mu gihe Ibikorwa vya kominoye vyiyumvira ko mu nzira zose zavuzwe aho hejuru ata n'imwe izokworohereza umutekano n'imibereho myiza y'umwana wawe, canke ko inzira imwe canke nyinshi zageragejwe ariko Ibikorwa vya Kominote bikaba bicibaza ko abana bawe bakigeramiwe, Ibikorwa vya Kominote bishobora gufata ingingo y'itegeko yo gukura abana bawe mo maboko yawe.

Ukurangiza amasezerano mfatakibanza y'uburezi

Mu gihe wamaze gusinya amasezerano mfatakibanza y'uburezi, urafise uburenganzira bwo kuyahagarika umwanya uw'ari wo wose. Ukwiye kwiyumvira neza imbere yo kubigira kuko usavye kuyahagarika kandi Ibikorwa vya Kominote vyiyumvira ko ata mutekano abana bawe bogira bagarutse mu maboko yawe, bashobora kwitura sentare y'abana. Ni vyiza kusaba impanuro z'amategeko imbere yuko uhagarika amasezerano mfatakibanza y'uburezi hakiri kare.

Uduce ucirwa two gukorana n'abakozi bo mu Bikorwa vya Kominote

- Vuganan'umukozi akujejwe kugira ngo utahure igituma Ubuzi bwa Kominote buriko burakurikirana umuryango wawe.
- Gerageza kumenyerana n'umukozi akujejwe n'aho utoba wemera impamvu bariko barinjira mu muryango wawe. Mu gihe udashobora gutora umuti w'ingorane muri kumwe n'uyo mukozi, saba kuvugana n'umukuru wiwe w'akazi.
- Wibuke ko ata kintu na kimwe ubwiye umukozi wo mu Bikorwa vya Kominote kiba ibanga. Akenshi ivyavuzwe vyose birandikwa. Ivy'uvuga vyose canke ukora bishobora gukoreshwa nk'icemezo kikwagiriza mu gihe ivyawe bishitse muri santare y'abana.
- Saba impanuro z'amategeko Ibikorwa vya Kominote bikimara kwinjira mu vy'umuryango wawe.
- Birumvikana ko ugira ubwoba canke ugashavura iyo Ibikorwa vya Kominote bije kwinjira mu vy'ubuzima bwawe ariko iyo uteye urwamo, ukidoga, ugatukana canke ugatera ubwoba umukozi akujejwe, bizotuma ibintu biba bibi gusumba.
- Vyofasha kwibuka ko abakozi bakujejwe bari ngaho kugira ngo babone ko abana bawe bitaweho neza uko bishoboka.
- Iyo umukozi akujejwe agusavye kuyoboka ibikorwa canke imfashanyo kugira ngo utere intambwe mu burezi bwawe kandi ubone ko abana bawe bari mu mutekano, ukwiye kwitaba ako kamo. Imiryango yose irakeneye imfashanyo ku rugero kanaka, kandi kwitaba ivyo bikorwa bishobora kuzibira ibintu kuba nabi bikabuza kandi ko abana bawe bakurwa mu maboko yawe.
- Wumva ko ubikeneye, tegekanya ko umuntu agufasha aba ahari mu gihe uhura n'abakozi bakujejwe. Ushobora gutora umuntu agufasha kuguma utekanye kandi azogufasha kwibuka ivyavuzwe inyuma y'inama.
- Saba Ibikorwa vya Kominote ikopi y'ivyanditswe mu Manama ujamwo hamwe n'ikopi y'amasezerano wasinye. Bika ivyo bintu ahadata.
- Gira agatabu k'ikirangamisi. Andika mwo amanama n'imibonano ya mwe n'umunyamategeko, abakozi bakujejwe, sentare,abaganga, abahanuzi n'abandi bose kugira ngo ntubibagire.
- Gira urutonde rw'amaterefone uhamagayeko uwukuburanira hamwe n'abakozi bakujejwe, no mu gihe usize ubutumwa udashoboye kuvugana nabo. Bishobotse saba izina ry'uwakwakiriye kw'i terephone canke uwakiriye ubutumwa bwawe uvyandike mu kirangamisi cawe.
- Bika urutonde rw'ivyo wize vyose n'amashirahamwe mukorana.

Kuronka impanuro z'amategeko.

- Legal Aid NSW:
  terefone 1800 551 589 canke raba
  www.legalaid.nsw.gov.au
- LawAccess NSW:
  terefone 1300 888 529 canke raba
  www.lawaccess.nsw.gov.au

Ni ibihe bishobora gushika iyo umuryango ukorana n'Ubuzi bwa Kominote

Umuntu yandikira raporo Ibikorwa vya Kominote

Ibikorwa vya Kominote biratohoza bikemeza nimba umwana ageramiwe n'ivyomusinzikaza

Iyo ari OYA

Ibikorwa vya kominote nta ngingo bifata, canke ngobirungike amakete mu mashirahamwe. Icegeranyo kibikwa mw'idosiye

Iyo ari EGO

Ibikorwa vya Kominote biremeza nimba hari ingingo ikwiye gufatwa yo gukingira umwana canke bakihweza ko umwana yitaweho bihagije.

Iyo ari OYA

Ingorane irarangiye

Iyo ari EGO

Ibikorwa vya Kominote birungika amakete mu mashirahamwe

canke Ibikowa vya Kominote vyemeranya n'umuryango ku vyokorwa ngo bakingire umwana

canke Ibikorwa vya Kominote biratwara umwana kandi/canke bigasaba sentare y'abana gushiraho ingingo